## DR Congo: Ni ibiki biri mu cegeranyo c'abahinga ba ONU gisahira mu majwi ibisirikare vy'Urwanda n'Uburundi

https://www.bbc.com/gahuza



AHAVUYE ISANAMU,AFP

*Bamwe mu barwanyi ba M23 mu gikorwa co gusubiza uturere bari bigaruriye igihe ingabo za Afrika y'Ubuseruko bashika muri DRC*

Icegeranyo caraye gishikirijwe Inama nkuru ya ONU kivuga ingene impande zompi zihanganye muri Repubulika ya Demokarasi ya Congo zagiye zihonyanga amasezerano yo guhagarika intambara yateweko igikumu muri Ntwarante (3) 2023.
Hejuru y'ibi, iki cegeranyo gishira ahabona ingene igisirikare c'Urwanda gifasha umuhari M23 uhanganye n'igisirikare ca Congo, n'ingene igisirikare c'Uburundi cafashije ica DR Congo mu buryo butari mu rwego rw'ingabo za Afrika y'Ubuseruko zari zarungitswe muri ico gihugu gufasha kugarukana amahoro.
Kiragiriza kandi n'igisirikare ca DR Congo gusongera isibe mu gukorana n'imihari y'abarwanyi, "harimwo na FDLR", hamwe no mu gushinga iyindi mirwi ya gisirikare "mu ntumbero yo kurwanya M23 na RDF".
Urwanda rurahakana ko ata ruhara rufise mu bibera muri Congo, Uburundi nabwo bukavuga ko ata ngabo bwarungitse mu mpisho.

## M23 yaraherewe inyigisho i Gako mu Rwanda

Iki cegeranyo canditswe ku wa 30 Kigarama 2023 kivuga ko inyuma y'amezi atari make yaranzwe n'agahengwe, intambara zasubiye kwaduka hagati ya M23 n'imirwi yitwaje ibirwanisho, kandi ko zari zikibandanya igihe aba bahinga ba ONU bariko barategura iki cegeranyo.
Kivuga kiti: "Ku wa 21 and 22 Gitugutu(10), intambara zikomeye zaradutse hagati ya M23 ifashwe mu mugongo na RDF, na FARDC ifashwe mu mugongo n'imihari y'abarwanyi, harimwi FDLR, imirwi ya gisirikare y'abigenga hamwe n'ingabo z'Uburundi (FDNB)."
Igihe iki cegeranyo cariko kirategurwa, intambara zari zikibandanya mu turere dutandukanye, cane cane Kanyamahoro-Kibumba-Rusayo muri teritware ya Nyiranongo; Kalengera-Tongo-Bwiza na Bambu-Kishishe-Kibirisi-Rwindi muri teritware ya Rutshuru; na

Kilolirwe-Burungu-Kitchanga muri teritware ya Masisi. Zahitanye “abatari bake muri FARDC, mu gisirikare c’Urwanda (RDF) na M23, harimwo intwazangabo zitari nke za M23”.

Mu gikorwa ca M23 co gukarihiriza ubumenyi abarwanyi bayo, iki cegeranyo kivuga ko kuva mu ntango za Rusama (5) gushika mu ntango za Ruheshi (6) 2023, abarwanyi ba M23 bahawe inyigisho mu kigo c’inyigisho za gisirikare c’Urwanda (RDF Military Academy) kiri i Gako mu Rwanda, nk’uko aba bahinga bavuga ko babibwiwe n’intwazangabo y’igisirikare c’Urwanda n’amasoko yo mu gisata c’igendereza n’umutekano.
Aba bahinga baremeza ko Urwanda rwabandanije ruhakana gufasha M23 kandi ko ata ngabo rufise muri DR Congo. Hagati aho, bavuga ko baronse ivyemezo - harimwo amashusho n’amasanamu vyafatiwe mu kirere – vyerekana ingene “igisirikare c’Urwanda catabara congera kirungika ingabo ku butaka bwa Repubulika ya Demokarasi ya Congo, cane cane mu materitware ya Masisi, Rutshuru na Nyiragongo”.
Bavuga ko abarwanyi ba M23 bishikanye, uwahoze ari umusirikare wa RDF, co kimwe n’amasoko yo mw’igendereza, ayo mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, n'ayo mu ngabo z’akarere ka Afrika y’Ubuseruko, abarongoye imirwi irwana hamwe n’abarwanyi babo, be n’ivyabona, bemeza neza ko igisirikare c’Urwanda cari ku butaka bwa Congo kandi cagize uruhara mu ntambara.

Iki cegeranyo gisubiramwo ivyo cabwiwe n’abahoze ari abarwanyi ba M23 hamwe n’amasoko yo mw’igendereza, aho bavuga ko kuva mu ntango za Gitugutu, “ingabo za RDF zavuye mu mabatayo [bataillons/batalions] atanu atandukanye zarungitswe mu materitware ya Nyiragongo, Rutushuru na Masisi”.
“RDF na M23 bari bafashwe mu mugongo n’imirwi itandukanye y’abarwanyi na ba maneko bashika 250 bahoze ari abarwanyi ba FDLR ubu bakoreshwa n’igisata c’igendereza ry’igisirikare c’Urwanda (Rwanda Defence Intelligence Department, DID)”.




,GETTY

Reta y'Uburundi ivuga ko yarungitse ingabo iciye mu rwego rw'ubutumwa ingabo z'ubutumwa bw'ishirahamwe rya Afrika y'ubuseruko, EAC; izi ni izari muri Kivu ya Ruguru
Iki cegeranyo gisubiramwo ababibonye, umusirikare wa RDF hamwe n’amasoko yo mu baserukira ibihugu vyabo babwiye uno murwi w’abahinga ba ONU ko ingabo zitari nke za

RDF zakomeretse izindi zikocwa mu mitego y'abarwanyi mu kibira ca Virunga hamwe n'ibibombe vyatewe n'igisirikare ca Congo ku birindiro vya RDF muri teritware ya Nyiragongo. "Abakomeretse n'abishwe batwawe mu Rwanda baciye mw'ibarabara".
Igihe cose igisirikare c'Urwanda cagirijwe ibisa n'ibi, abategetsi b'Urwanda bamye bavyiyamiriza, mbere baravuze ko ataho ico gisirikare gihuriye n'umutwe wa M23 kandi ko kitanawufasha. Mu gihe M23 nayo ivuga ko "ata n'urushinge bigeze bahabwa n'Urwanda".

## DRC ikorana n'imihari y'abarwanyi harimwo FDLR

Mu gihe iki cegeranyo cariko kirandikwa, aba bahinga ba ONU babonye ko DR Congo yongereje akariro mu guhimiriza no gukorana n'imirwi y'abarwanyi "harimwo FDLR nk'ibikoresho mu kurwanya M23 na RDF".
Cerekana ko, hampande yo gukorana n'imirwi y'abarwanyi nka Wazalendo FDLR n'iyindi mu kurwanya M23 na RDF, reta ya Congo "yagize uruhara mu gushinga ihuriro Volontaires pour la défense de la Patrie (VDP) mu mpera za Nyakanga [9] 2023 mu ntubero yo gukwepa ivyo yariko yagirizwa ko yariko itegura ibitero mu guhonyanga amasezerano y'agahengwe hagati ya FARDC na M23".
Iki cegeranyo cerekana mbere ko mu gushinga VDP, na FDLR yari yatumiwe mbere "igahabwa igikorwa co guhangana na M23 na RDF, bari ukwabo canke bari kumwe n'imirwi igize VDP".

## Ingene igisirikare c'Uburundi gifasha Congo

Amasoko yo mu barongoye igisirikare ca Congo yabwiye aba bahinga ba ONU ko ingabo 1070 z'igisirikare c'Uburundi (FDNB), zambaye umwambaro w'igisirikare ca Congo, binjiye mu mpisho kuva mu ntango za Gitugutu 2023 kw'ibarabara rya Sake-Kitchanga mu ntumbero zo gukingira teritware ya Masisi ibitero vya M23 na RDF, ziri kumwe na FARDC na Wazalendo".
"Irungikwa [ry'izi ngabo] ntiryari mu rwego rw'ingabo z'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko", niko iki cegeranyo kivuga.
Ibiro bikuru vy'igisirikare c'Uburundi vyabwiye aba bahinga ko FDNB ata ngabo yarungitse muri Kivu ya Ruguru mu nzira atari iyo mu rwego rw'ingabo z'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko.
Eka na Jean-Pierre Bemba umushikiranganji wo kwivuna abansi wa DR Congo, hamwe na buramatari wa Kivu ya Ruguru Jenerali-Majoro Peter Cirimwami babwiye aba bahinga ko ata masezerano bazi yo gukorana hagati y'igisirikare c'Uburundi n'ica Congo.
"Hagati aho, nk'uko bivugwa n'amasoko yegereye abarongoye FARDC, ayo mu gisirikare hamwe n'aho mu mirwi y'abarwanyi, Cirimwami niwe yategetse yongera ahagararira irungikwa ry'ingabo za FDNB ku mategeko ahabwa n'abamukurira mu gisirikare", niko iki cegeranyo kivuga.

"M23 n'abategetsi b'Urwanda bariyamirije irungikwa ry'ingabo z'Uburundi hanze y'urwego rw'ingabo z'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko".
Iki cegeranyo kivuga kandi ko kuva muri Nyakanga(9), ingabo z'Uburundi zavuye i Bujumbura zijanwa i Goma mu ndege ya gisirikare ya FARDC irimwo umwambaro n'ibikoresho vya gisirikare wa FARDC, kandi ko zarungitswe muri Minova no mu micungararo yaho, mu ntara ya Kivu y'Epfo.

Kivuga kandi ko ku wa 7 Gitugutu, kompanyi zibiri za FDNB zakuwe Minova zikarungikwa ahitwa Kabati ku birometero bitari bike mu buseruko bwa Kitchanga.

Kivuga kandi ko ku wa 16 Gitugutu, “bisabwe na FARDC, ikompanyi ya gisirikare yigenga Congo Protection yunguruje ingabo za FDNB ziri mu makamyo atandatu zambaye umwambaro wa FARDC ikazishikana muri Kitchanga”.
Kivuga ko irungikwa ry’izi ngabo z’Uburundi ryabandanije gushika nibura ku wa 20 Gitugutu 2023, kandi ko, ziri kumwe n’ingabo za FARDC na Wazalendo, zatanye mu mitwe na M23 mu micungararo ya Kitchanga na Kilolirwe.
Reta y’Uburundi ivuga ko ata zindi ngabo zarungitswe mu kinyegero muri DR Congo, uretse izarungitswe mu rwego rw’Umuryango wa Afrika y’Ubuseruko hamwe n’umwumvikano hagati ya DR Congo n’Uburundi.
Ku ruhande rwayo, DRC iherutse gusohora itangaro iburira abasirikare bayo, baba bato canke bakuru, ko batosubira gukorana n’umuhari FDLR, eka irafunga uw’ipete rya jenerali yagirizwa gukorana na FDLR.